# Sandra Sabattini

*Igisabisho c'imisi icenda y'ukwambaza imana duciye ku muhimbazwa sandra sabattini*
*kuva italiki 15 kugeza italiki 23 /10/2021*





COMMUNAUTE PAPE JEAN XXIII, AREA BURUNDI

# IGISABISHO C'IMISI ICENDA Y'UKWAMBAZA IMANA DUCIYE KU MUHIMBAZWA SANDRA SABATTINI KUVA ITALIKI 15 KUGEZA ITALIKI 23 /10/2021

- **Umusi wa mbere : UKWEMERA**

- **<u>Ijambo rya Don Oreste</u> :**

**"***Muvyo Sandra yahora yandika, narumvisemwo igisharara kiva ku mutima, kijanye n'ukwifata ruto, uguteramira Imana hamwe n'ubwitegereji, umutima w'ukwemera kunini wamutuma na ntaryo aganira n'Imana ataco yinona kurya k'umwana na se wiwe. Ukwemera dusanga muri Sandra kurigaragaza n'akanyamuneza kamuje, kukamutuma kwama ateramira Imana, maze ntiyigere ayivirira, akama yihweza na ntaryo ivyiza idasiba kumugirira yo Rukundo rudakama*."

**Kw'izina rya Data, n'irya Mwana n'irya Mutima mweranda.**

Dusabe ngo umutima wacu uhinduke kandi ibisabisho vy'abadutumye navyo nyene vyumvirwe (*Umwe wese arashikiriza umutwaro wiwe mugacerere hamwe n'umutwaro w'abamutumye*). Dusabe twishimikije Umuhimbazwa **Sandra Sabattini** kandi tuninahaze Umukama twisunga ukwemera kwiwe kwamutuma aganira n'Imana nk'umwana na se ataco yinona.

- **<u>Soma iri jambo ry'Imana</u>** kwa Luka 17,6 **:**

***"Iyo muba mwari mufise ukwemera kungana n'agatete k'isinapi, mwobwiye uyo mukere muti : "Niwirandure wibadike mu kiyaga", kandi wobagamburukiye."***

- **<u>Ijambo rya Sandra</u> :**

*"Nta nkeka ko ntoye wewe musa ata wundi. Ubu rero ndashobora kuvuga ntekanye nti : ntoye wewe musa. Ndemeye ko iyo ngingo uko akanya kahaca, ariko igenda ikomera. Ubu bwa none harageze ko nimika Yezu ukuri kwamye kandi ngahinduka wese ataco niziganirije.*"

**Dawe wa twese, Mwaramutse Mariya, Haninahazwe**

- **<u>Kwigira inama</u> :**

Umwe wese n'atore ico azokora ngo yerekane ko ahindutse ku mutima.

- **<u>Igisabisho co gusozera</u> :**

Mukama Mana yacu, umuco wawe n'udushware wese, twame dutegera ko utigera utuvirira. Bogora imitima yacu, twame dutambukira mu bweranda buciriye hagufi nkuko Umuhimbazwa Sandra Sabattini yabiduhayeko akarorero, dukomereze inama n'ingingo twigiriye kugira ngo Ubwami bwawe bukwire hose. Tubigusabishije Yezu Kristu Umukama wacu.

- **<u>Igisabisho c'ukwambaza Sandra Sabattini Umuhimbazwa</u>**

**Ewe Mana, Data Mwana na Mutima mweranda, waragabiye Ekleziya yawe nyeranda incoreke yawe Sandra Sabattini, turagukuriye ubwatsi.**





**Sandra yarahimbawe bimwe bitavugwa aho wamwimenyesha, Bikira Mariya nawe akamwitwararika nk'umuvyeyi; yariboneye vy'ukuri ko wibera mu barushwa no mu bantu bato bato; yaritanze atiziganya mu gusangira n'uwo wese yaje amugana, abigirana umutima wifata ruto kandi ataco yisigarije; ijoro n'umutaga yamye arondera kunywana nawe mu gisabisho no mu kuguteramira, kandi yaroroheye Mutima mweranda ngo amuyobora muri vyose, yamye ahimbagwa n'ukubakira ubuzima ku mubano mwiza be n'urukundo.**

**None Dawe, kubw'igisabisho ciwe, nkuko wewe nyene ubishaka, n'uturonse iyi ngabirano tugusabanye umwizero …. (***haraba agarerere, umwe wese mu bari ngaho, akayagira Imana ikiri ku mutima*).

**Muri Ekleziya yawe no mu rusangi rw'aberanda bawe bose, ese Sandra yotubera na ntaryo akarorero k'ubweranda kugira ngo urukundo rwawe ruranguke hose. Amen!**

**Sandra Sabattini , Dusabire!**

- **Umusi ugira kabiri : UMWIZERO UTAYEGAYEGA**

- **Ijambo rya Don Oreste :**

"*Muri uno mwanya, Sandra ariko arihweza Imana amaso mu yandi. Ari kumwe natwe kuko atwibutsa vyinshi mu muryango wacu, na cane cane abo babanye hafi na hafi.*"

Kw'izina rya Data……………

Dusabe ngo umutima wacu uhinduke kandi ibisabisho vy'abadutumye bibashe kwumvigwa.
(*Umwe wese arashikiriza umutwaro wiwe mugacerere hamwe n'umutwaro w'abamutumye*).
Dusabe twishimikije Umuhimbazwa Sandra Sabattini kandi tuninahaze Umukama twisunze ukwemera kwiwe kwatumye umwizero wiwe ukomera hamwe n'ukwifata ruto muvyo yarangura vyose ku musi ku musi.

- **Ijambo ry'Imana :**

"***Nawo umwizero ntutetereza kuko urukundo rw'Imana rusasagaye mu mitima yacu kubera Mutima mweranda twahawe***" (Rom.5,5)

- **Ijambo rya Sandra :**

*"Mw'ijoro harya ngiye kuryama, nama nitwararitse umusi w'ejo undindiriye, ariko rero nkawurindira nk'ingabirano ndonse y'umusi mushasha, ingabirano imfasha mu binshikira vyose, na ntaryo ngo mbashe kunywana nawe ukuruta."*

**Dawe wa twese, Mwaramutse Mariya, Haninahazwe**

- **Kwigira inama n'ingingo :**

Tugaragaze umwizero dufise mu kwerekana agahimbare igihe duhwanye n'abandi.

- **Igisabisho co gusozera :**





Mukama Mana yacu, umuco wawe n'udushware wese, twame dutegera ko utigera utuvirira. Bogora imitima yacu, twame dutambukira mu bweranda buciriye hagufi nkuko Umuhimbazwa Sandra Sabattini yabiduhayeko akarorero, dukomereze inama n'ingingo twigiriye kugira ngo Ubwami bwawe bukwire hose. Tubigusabishije Yezu Kristu Umukama wacu.

- **Igisabisho co kwambaza Umuhimbazwa Sandra Sabattini**

**Ewe Mana, Data Mwana na Mutima mweranda, waragabiye Ekleziya yawe nyeranda incoreke yawe Sandra Sabattini, turagukuriye ubwatsi.**

**Sandra yarahimbawe bimwe bitavugwa aho wamwimenyesha, Bikira Mariya nawe akamwitwararika nk'umuvyeyi; yariboneye vy'ukuri ko wibera mu barushwa no mu bantu bato bato; yaritanze atiziganya mu gusangira n'uwo wese yaje amugana, abigirana umutima wifata ruto kandi ataco yisigarije; ijoro n'umutaga yamye arondera kunywana nawe mu gisabisho no mu kuguteramira, kandi yaroroheye Mutima mweranda ngo amuyobora muri vyose, yamye ahimbagwa n'ukubakira ubuzima ku mubano mwiza be n'urukundo.**

**None Dawe, kubw'igisabisho ciwe, nkuko wewe nyene ubishaka, n'uturonse iyi ngabirano tugusabanye umwizero …. (***haraba agarerere, umwe wese mu bari ngaho, akayagira Imana ikiri ku mutima*).

**Muri Ekleziya yawe no mu rusangi rw'aberanda bawe bose, ese Sandra yotubera na ntaryo akarorero k'ubweranda kugira ngo urukundo rwawe ruranguke hose. Amen!**

**Sandra Sabattini , Dusabire!**

- **Umusi wa gatatu : URUKUNDO**

- **Ijambo rya Don Oreste :**

**"***Mu majambo yanditse, narumvisemwo igisharara kijanye n'ukwifata ruto, guteramira Imana hamwe n'ubwitegereji, ukwemera kunini kwamutuma na ntaryo aganira n'Imana ataco yinona kurya k'umwana na se wiwe***."**

Kw'izina rya Data………

Dusabe ngo umutima wacu uhinduke kandi ibisabisho vy'abadutumye vyumvirwe.
(*Umwe wese arashikiriza umutwaro wiwe mugacerere hamwe n'umutwaro w'abamutumye*).
Dusabe twishimikije Umuhimbazwa Sandra Sabattini kandi tuninahaze Umukama twisunga ukugene yamana akamwemwe mu maso hiwe.

- **Ijambo ry'Imana :**

**"*Naho novuga indimi z'abantu n'iz'abamalayika, ntafise urukundo, noba meze nk'icuma gihuhuma, canke nk'ikinjanja casirana."*** (1kor.13,1).

- **Ijambo rya Sandra :**





"*Ndavyemera ntakekereza na gatoyi ko ikindaje ishinga, ikintu kimwe rudende kindutira vyose, ni ugukunda. Har'aho ndavyiyumvira nti : mbega ukubaho kwanje gufise insiguro nyabaki? Ikindutira vyose, n'ugukunda, ibindi ntumbaze. Ibihe bimwe bimwe naho atari kenshi, narashoboye kubishikako, ata yindi nyungu ndondera, nariyumvisemwo amahoro menshi; kandi ko Imana ari Rukundo, nta wundi ishobora kuba ndetse Mahoro yuzuye mu mpande zose.*"

**Dawe wa twese, Mwaramutse Mariya, Haninahazwe**

- **Kwigira inama n'ingingo :**

Kugendera mu rukundo mu guha akanyamuneza abo bose duhwana imisi yose.

- **Igisabisho co gusozera :**

Mukama Mana yacu, umuco wawe n'udushware wese, twame dutegera ko utigera utuvirira. Bogora imitima yacu, twame dutambukira mu bweranda buciriye hagufi nkuko Umuhimbazwa Sandra Sabattini yabiduhayeko akarorero, dukomereze inama n'ingingo twigiriye kugira ngo Ubwami bwawe bukwire hose. Tubigusabishije Yezu Kristu Umukama wacu.

- **Igisabisho co kwambaza Umuhimbazwa Sandra Sabattini.**

**Ewe Mana, Data Mwana na Mutima mweranda, waragabiye Ekleziya yawe nyeranda incoreke yawe Sandra Sabattini, turagukuriye ubwatsi.**

**Sandra yarahimbawe bimwe bitavugwa aho wamwimenyesha, Bikira Mariya nawe akamwitwararika nk'umuvyeyi; yariboneye vy'ukuri ko wibera mu barushwa no mu bantu bato bato; yaritanze atiziganya mu gusangira n'uwo wese yaje amugana, abigirana umutima wifata ruto kandi ataco yisigarije; ijoro n'umutaga yamye arondera kunywana nawe mu gisabisho no mu kuguteramira, kandi yaroroheye Mutima mweranda ngo amuyobora muri vyose, yamye ahimbagwa n'ukubakira ubuzima ku mubano mwiza be n'urukundo.**

**None Dawe, kubw'igisabisho ciwe, nkuko wewe nyene ubishaka, n'uturonse iyi ngabirano tugusabanye umwizero …. (***haraba agarerere, umwe wese mu bari ngaho, akayagira Imana ikiri ku mutima*).

**Muri Ekleziya yawe no mu rusangi rw'aberanda bawe bose, ese Sandra yotubera na ntaryo akarorero k'ubweranda kugira ngo urukundo rwawe ruranguke hose. Amen!**

**Sandra Sabattini , Dusabire!**

- **Umusi ugira kane : UGUSENGA, GUTERAMIRA IMANA,**





**KUNYWANA RWOSE NA YO.**

- **Ijambo rya Don Oreste** :

" *Ubunywanyi yar'afitaniye n'Imana bwashika kure cane mu nzika z'umutima wiwe, akama abwerekana aho ari hose, akabigirana ukwifata ruto kwa cane, yamara ntihagire n'umwe abica n'ikanda, aho ageze hose, akahasiga ubushobozi bose bagenda bikugura.*"

Kw'izina rya Data………

Dusabe ngo umutima wacu uhinduke kandi ibisabisho vy'abadutumye navyo vyumvirwe.
(*Umwe wese arashikiriza umutwaro wiwe mugacerere hamwe n'umutwaro w'abamutumye*).
Dusabe twishimikije Umuhimbazwa Sandra Sabattini kandi tuninahaze Umukama twisunze ukugene yama aha umwanya ukwiye Imana ngo bayage.

- **Ijambo ry'Imana** :

**"*Yezu ahengera kare cane umutwenzi utarakika, aravyuka, arasohoka, aja ahantu mu gahinga, aba ariho asengera."*** (Marko 1,35)

- **Ijambo rya Sandra** :

**"** *Si jewe ndondera Imana, ah'ubwo niyo indondera. Ntibikenewe ko ndondera utujambo utu na turiya ngo ndayishikire. Ego utujambo turaza hanyuma tugahera, nkaja nsanga ndiko ndayishengerera, ndiko ndayihweza, nkaguma ndindiriye ko yonyene imfasha gutegera ico ishaka kuri jewe*."

**Dawe wa twese, Mwaramutse Mariya, Haninahazwe**

- **Kwigira inama n'ingingo** :

Twironderere umwanya ukwiye w'agacerere, twongere duhe Imana ikibanza kiyikwiye mu mutima wacu yo yashimye kwibanira natwe.

- **Igisabisho co gusozera** :

Mukama Mana yacu, umuco wawe n'udushware wese, twame dutegera ko utigera utuvirira. Bogora imitima yacu, twame dutambukira mu bweranda buciriye hagufi nkuko Umuhimbazwa Sandra Sabattini yabiduhayeko akarorero, dukomereze inama n'ingingo twigiriye kugira ngo Ubwami bwawe bukwire hose. Tubigusabishije Yezu Kristu Umukama wacu.

- **Igisabisho co kwambaza Umuhimbazwa Sandra Sabattini**

**Ewe Mana, Data Mwana na Mutima mweranda, waragabiye Ekleziya yawe nyeranda incoreke yawe Sandra Sabattini, turagukuriye ubwatsi.**

**Sandra yarahimbawe bimwe bitavugwa aho wamwimenyesha, Bikira Mariya nawe akamwitwararika nk'umuvyeyi; yariboneye vy'ukuri ko wibera mu barushwa no mu bantu bato bato; yaritanze atiziganya mu gusangira n'uwo wese yaje amugana, abigirana umutima wifata ruto kandi ataco yisigarije; ijoro n'umutaga yamye arondera kunywana nawe mu**





**gisabisho no mu kuguteramira, kandi yaroroheye Mutima mweranda ngo amuyobora muri vyose, yamye ahimbagwa n'ukubakira ubuzima ku mubano mwiza be n'urukundo.**

**None Dawe, kubw'igisabisho ciwe, nkuko wewe nyene ubishaka, n'uturonse iyi ngabirano tugusabanye umwizero …. (***haraba agarerere, umwe wese mu bari ngaho, akayagira Imana ikiri ku mutima*).

**Muri Ekleziya yawe no mu rusangi rw'aberanda bawe bose, ese Sandra yotubera na ntaryo akarorero k'ubweranda kugira ngo urukundo rwawe ruranguke hose. Amen!**

**Sandra Sabattini , Dusabire!**

- **Umusi ugira gatanu : KUNINAHAZA MANA DATA WE MUREMYI WA VYOSE**

- **Ijambo rya Don Oreste :**

"*Yarakunda cane guteramira Imana, atari mu gisabisho gisanzwe conyene, ariko agahera gutangarira ubukuru n'ubwiza bw'ivyo Imana yaremye, akinjira rwose muri ico kinyegezwa kitagira imbibe n'iherezo, rimwe na rimwe yaba yerekeje amaso ku kiyaga iyo gitekanye ahandi naho kiri mu bisebuzi*."

Kw'izina rya Data………………..

Dusabe ngo umutima wacu uhinduke kandi ibisabisho vy'abadutumye vyumvirwe.
(*Umwe wese arashikiriza umutwaro wiwe mugacerere hamwe n'umutwaro w'abamutumye*).
Dusabe twishimikije Umuhimbazwa Sandra Sabattini kandi dusabe Umukama twisunga ukugene yama ateramira Imana ngo atangarire ubukuru n'ubwiza bwayo aciye ku vyaremwe vyose.

- **Ijambo ry'Imana :**

**"*Imana ibona ko ari vyiza cane. Umukama Imana, araheza ahingura umuntu mw'ivu akuye mu gataka, hanyuma ahuhira mu mazuru yiwe impemu z'ubuzima, nya muntu aca aba muzima. Umukama araheza ajana umuntu, amugerera mu murima w'i Hedeni ngo awurime kandi awuzigame*"**(Amam.2,7.15).

- **Ijambo rya Sandra :**

**"***Uko imisi yahaca, niko iciyumviro caza kirakura muri jewe ngo : Utariho, nta na kimwe cogira insiguro, eka nta na kimwe. Uwo musi, nari ku nkengera z'ikiyaga, maze mu kanya n'akandi ndayoberwa iyo ndi, mu mutima ndumva ko atakirimwo, wese numva ndahororokewe. Ivyo vyamazeko akanya. Ikindi gihe, ivyo bisebuzi vy'umutima vyaranteye ndabimarana imisi. Ubu rero vyaraheze. Nta kibanza bifise muri jewe. Iyo niyumviriye nti : Uri Emmanueli : Imana kumwe natwe. Nta kintu na kimwe c'amananiza gisubira kumbako***."**

**Dawe wa twese, Mwaramutse Mariya, Haninahazwe**





- ***Kwigira inama n'ingingo*** **:**

Ku musi ku musi twame dukora igikorwa cerekana ko dusonera ivyaremwe tukongera tukabibungabunga.

- **Igisabisho co gusozera :**

Mukama Mana yacu, umuco wawe n'udushware wese, twame dutegera ko utigera utuvirira. Bogora imitima yacu, twame dutambukira mu bweranda buciriye hagufi nkuko Umuhimbazwa Sandra Sabattini yabiduhayeko akarorero, dukomereze inama n'ingingo twigiriye kugira ngo Ubwami bwawe bukwire hose. Tubigusabishije Yezu Kristu Umukama wacu.

- **Igisabisho co kwambaza Umuhimbazwa Sandra Sabattini**

**Ewe Mana, Data Mwana na Mutima mweranda, waragabiye Ekleziya yawe nyeranda incoreke yawe Sandra Sabattini, turagukuriye ubwatsi.**

**Sandra yarahimbawe bimwe bitavugwa aho wamwimenyesha, Bikira Mariya nawe akamwitwararika nk'umuvyeyi; yariboneye vy'ukuri ko wibera mu barushwa no mu bantu bato bato; yaritanze atiziganya mu gusangira n'uwo wese yaje amugana, abigirana umutima wifata ruto kandi ataco yisigarije; ijoro n'umutaga yamye arondera kunywana nawe mu gisabisho no mu kuguteramira, kandi yaroroheye Mutima mweranda ngo amuyobora muri vyose, yamye ahimbagwa n'ukubakira ubuzima ku mubano mwiza be n'urukundo.**

**None Dawe, kubw'igisabisho ciwe, nkuko wewe nyene ubishaka, n'uturonse iyi ngabirano tugusabanye umwizero …. (**_haraba agarerere, umwe wese mu bari ngaho, akayagira Imana ikiri ku mutima_).

**Muri Ekleziya yawe no mu rusangi rw'aberanda bawe bose, ese Sandra yotubera na ntaryo akarorero k'ubweranda kugira ngo urukundo rwawe ruranguke hose. Amen!**

**Sandra Sabattini , Dusabire!**

- **Umusi ugira gatandatu : GUSANGIRA UBUZIMA N'ABARUSHWA HAMWE N'UKURWANIRA UBUTUNGANE**

- **Ijambo rya Don Oreste :**

" *Sandra yarakunda cane Umuryango wacu; muri wo niho yakuye umuhamagaro wo guca mu makanda ya Yezu mworo musuku, mu gusangira ubuzima n'abarushwa*."

Kw'izina rya Data………………..

Dusabe ngo umutima wacu uhinduke kandi n'ibisabisho vy'abadutumye vyumvirwe.
(*Umwe wese arashikiriza umutwaro wiwe mugacerere hamwe n'umutwaro w'abamutumye*).
Dusabe twishimikije Umuhimbazwa Sandra Sabattini, kandi tuninahaze Umukama twisunze ukugene yar'afise igisharara c'ugusangira ubuzima n'abarushwa hamwe n'ukurwanira ubutungane.

- ***Ijambo ry'Imana*** **:**





***"Intungane rero zizoheza zisubizeyo ziti : "Mukama, twakubonye ryari ushonje tukaguha ivyo urya, unyotewe tukaguha ico unywa? Twakubonye ryari uri kavantara tukakwakira, ugenda gusa tukakwambika? Twakubonye ryari urwaye canke uri mw'ibohero tukakuraba?" Umwami nawe azoheza abishure avuga ati :"Ni ukuri ndabibabwiye, igihe cose mwabigiriye n'umwe muri abo bato bato muri benewacu , nije mwabigiriye."*** (Matayo 25, 37- 40)

- **Ijambo rya Sandra** :

*"Nta na kimwe nakoze gitangaje, ariko naragerageje kwitanga wese uko nshoboye kwose mu tuntu tubayabaye umusi ku wundi. Narasenga gatoyi kuruta uko nahora. Naho ndi magara make, nararonse akaryo ko kwitaho abari mu bukene kuruta*."

**Dawe wa twese, Mwaramutse Mariya, Haninahazwe**

- ***Kwigira inama n'ingingo*** **:**

Kwitorera umuntu ari mu bubabare, mpeze ndamwiyegereze.

- **Igisabisho co gusozera :**

Mukama Mana yacu, umuco wawe n'udushware wese, twame dutegera ko utigera utuvirira. Bogora imitima yacu, twame dutambukira mu bweranda buciriye hagufi nkuko Umuhimbazwa Sandra Sabattini yabiduhayeko akarorero, dukomereze inama n'ingingo twigiriye kugira ngo Ubwami bwawe bukwire hose. Tubigusabishije Yezu Kristu Umukama wacu.

- **Igisabisho co kwambaza Umuhimbazwa Sandra Sabattini**

**Ewe Mana, Data Mwana na Mutima mweranda, waragabiye Ekleziya yawe nyeranda incoreke yawe Sandra Sabattini, turagukuriye ubwatsi.**

**Sandra yarahimbawe bimwe bitavugwa aho wamwimenyesha, Bikira Mariya nawe akamwitwararika nk'umuvyeyi; yariboneye vy'ukuri ko wibera mu barushwa no mu bantu bato bato; yaritanze atiziganya mu gusangira n'uwo wese yaje amugana, abigirana umutima wifata ruto kandi ataco yisigarije; ijoro n'umutaga yamye arondera kunywana nawe mu gisabisho no mu kuguteramira, kandi yaroroheye Mutima mweranda ngo amuyobora muri vyose, yamye ahimbagwa n'ukubakira ubuzima ku mubano mwiza be n'urukundo.**

**None Dawe, kubw'igisabisho ciwe, nkuko wewe nyene ubishaka, n'uturonse iyi ngabirano tugusabanye umwizero …. (***haraba agarerere, umwe wese mu bari ngaho, akayagira Imana ikiri ku mutima*).

**Muri Ekleziya yawe no mu rusangi rw'aberanda bawe bose, ese Sandra yotubera na ntaryo akarorero k'ubweranda kugira ngo urukundo rwawe ruranguke hose. Amen!**

**Sandra Sabattini , Dusabire!**

- **Umusi ugira indwi : UBUGAMBURUTSI**





- **Ijambo rya Don Oreste :**

" *Ubuzima bwiwe bwose yari yabuhebeye abandi. Imbere yuko aja kwiga ivy'ubuganga , yabanje kuja inama n'abamukurira, atako aravyemeregwa ko ari yo nzira Umukama amushakira ngo abashe kumukurikira yongere abashe gusangira ubuzima n'abarushwa.*"

Kw'izina rya Data…………

Dusabe ngo umutima wacu uhinduke kandi ibisabisho vy'abadutumye navyo vyumvigwe.
(*Umwe wese arashikiriza umutwaro wiwe mugacerere hamwe n'umutwaro w'abamutumye*).
Dusenge twishimikije Sandra Sabattini Umuhimbazwa kandi tuninahaze Umukama twisunze ukugene yama agamburukira ishaka ry'Imana muvyo akora vyose.

- ***Ijambo ry'Imana*** **:**

**"*Si mwebwe mwantoye; yamara ni jewe nabatoye, nabashinze kugenda ngo mwame icamwa kandi icamwa gihoraho, kugira ngo Data abahe ico muzomusaba cose kw'izina ryanje."*** (Yohani 15,16)

- **Ijambo rya Sandra :**

*"Uno musi navuganye na patiri Nevio. Namubwiye ivyo ngize imisi niyumvira. Ico twashitseko, nuko ico Umukama yanyongoreye gihambaye, kandi ko nokwama ngavye iyo ndiko ndazirikana ibimenyetso vy'ibihe kuko We (Yezu) aza akubwira ati : Haguruka tugende, naho utoba uvyiteze."*

**Dawe wa twese, Mwaramutse Mariya, Haninahazwe**

- **Kwigira inama n'ingingo :**

Gusobanura ibimenyetso vy'ibihe aho Umukama aduhamagara mu buzima bwacu bwa misi yose eka no mu migenderanire dufitaniye n'abandi.

- **Igisabisho co gusozera :**

Mukama Mana yacu, umuco wawe n'udushware wese, twame dutegera ko utigera utuvirira. Bogora imitima yacu, twame dutambukira mu bweranda buciriye hagufi nkuko Umuhimbazwa Sandra Sabattini yabiduhayeko akarorero, dukomereze inama n'ingingo twigiriye kugira ngo Ubwami bwawe bukwire hose. Tubigusabishije Yezu Kristu Umukama wacu.

- **Igisabisho co kwambaza Umuhimbazwa Sandra Sabattini**

**Ewe Mana, Data Mwana na Mutima mweranda, waragabiye Ekleziya yawe nyeranda incoreke yawe Sandra Sabattini, turagukuriye ubwatsi.**

**Sandra yarahimbawe bimwe bitavugwa aho wamwimenyesha, Bikira Mariya nawe akamwitwararika nk'umuvyeyi; yariboneye vy'ukuri ko wibera mu barushwa no mu bantu bato bato; yaritanze atiziganya mu gusangira n'uwo wese yaje amugana, abigirana umutima wifata ruto kandi ataco yisigarije; ijoro n'umutaga yamye arondera kunywana nawe mu**





**gisabisho no mu kuguteramira, kandi yaroroheye Mutima mweranda ngo amuyobora muri vyose, yamye ahimbagwa n'ukubakira ubuzima ku mubano mwiza be n'urukundo.**

**None Dawe, kubw'igisabisho ciwe, nkuko wewe nyene ubishaka, n'uturonse iyi ngabirano tugusabanye umwizero …. (***haraba agarerere, umwe wese mu bari ngaho, akayagira Imana ikiri ku mutima*).

**Muri Ekleziya yawe no mu rusangi rw'aberanda bawe bose, ese Sandra yotubera na ntaryo akarorero k'ubweranda kugira ngo urukundo rwawe ruranguke hose. Amen!**

**Sandra Sabattini , Dusabire!**

- **Umusi ugira umunani : UKWITWARA NEZA MU BAGENZI KUMWE N'ABASHAKA KWUBAKANA.**

- **<u>Ijambo rya Don Oreste</u> :**

" *Umuhamagaro wiwe wari ujanye n'urukundo yarafitiye umukunzi wiwe Guido, bompi bari bafise umugambi w'ukwubakana, ariko rero badakurikije imigenzo mibi y'abantu b'iyi si.*"

Kw'izina rya Data……………

Dusabe ngo umutima wacu uhinduke kandi ibisabisho vy'abadutumye vyumvigwe.
(*Umwe wese arashikiriza umutwaro wiwe mugacerere hamwe n'umutwaro w'abamutumye*).
Dusenge twishimikije Umuhimbazwa Sandra Sabattini kandi tuninahaze Umukama twisunze ukugene yama yitwararitse abagenzi n'ingene yitwaye neza mu rukundo kumwe n'umukunzi wiwe.

- ***<u>Ijambo ry'Imana</u>*** **:**
- ***"Ni mukundane nk'abavandimwe, umwe wese arushirizeho guha icubahiro mugenziwe."*** *(*Rom. 12,10)
- **<u>Ijambo rya Sandra</u> :**

*" Mfasha mbashe kugumya ibanga, namane ubuziranenge bw'umutima kumwe n'abagenzi, kumwe n'umukunzi wanje Guido. Mfasha name ndakwumva hafi yanje mu rugendo ndimwo. Raba ndacari muto kandi ntaco nishoboje. Ariko ndi kumwe nawe Yezu, ndashobora gukora ibirengeye amagara make yanje."*

**Dawe wa twese, Mwaramutse Mariya, Haninahazwe**

- **<u>Kwigira inama n'ingingo</u> :**

Tuje inama n'umuvukanyi twari twarahebanye dusubire ducudike nawe.

- **Igisabisho co gusozera :**





Mukama Mana yacu, umuco wawe n'udushware wese, twame dutegera ko utigera utuvirira. Bogora imitima yacu, twame dutambukira mu bweranda buciriye hagufi nkuko Umuhimbazwa Sandra Sabattini yabiduhayeko akarorero, dukomereze inama n'ingingo twigiriye kugira ngo Ubwami bwawe bukwire hose. Tubigusabishije Yezu Kristu Umukama wacu.

- **Igisabisho co kwambaza Umuhimbazwa Sandra**

**Ewe Mana, Data Mwana na Mutima mweranda, waragabiye Ekleziya yawe nyeranda incoreke yawe Sandra Sabattini, turagukuriye ubwatsi.**

**Sandra yarahimbawe bimwe bitavugwa aho wamwimenyesha, Bikira Mariya nawe akamwitwararika nk'umuvyeyi; yariboneye vy'ukuri ko wibera mu barushwa no mu bantu bato bato; yaritanze atiziganya mu gusangira n'uwo wese yaje amugana, abigirana umutima wifata ruto kandi ataco yisigarije; ijoro n'umutaga yamye arondera kunywana nawe mu gisabisho no mu kuguteramira, kandi yaroroheye Mutima mweranda ngo amuyobora muri vyose, yamye ahimbagwa n'ukubakira ubuzima ku mubano mwiza be n'urukundo.**

**None Dawe, kubw'igisabisho ciwe, nkuko wewe nyene ubishaka, n'uturonse iyi ngabirano tugusabanye umwizero …. (***haraba agarerere, umwe wese mu bari ngaho, akayagira Imana ikiri ku mutima*).

**Muri Ekleziya yawe no mu rusangi rw'aberanda bawe bose, ese Sandra yotubera na ntaryo akarorero k'ubweranda kugira ngo urukundo rwawe ruranguke hose. Amen!**

**Sandra Sabattini , Dusabire!**

- **Umusi ugira icenda : DUKOMEZE INZIRA ITUJANA MU BWERANDA**





- **Ijambo rya Don Oreste :**

"*Nta nkeka,Sandra yaramaze gushikira ubweranda Imana yamuteguriye. Hasigaye imisi 20 ngo yitabe Imana yarabonye urupfu rwiwe nk'uwuri mu ndoto, ingene abantu isinzi bazomuririra, n'ingene uruhafu azohambwamwo ruzoba rwuzuye amashurwe.*"

Kw'izina rya Data………………..

Dusabe ngo umutima wacu uhinduke kandi ibisabisho vy'abadutumye vyumvirwe.
(*Umwe wese arashikiriza umutwaro wiwe mugacerere hamwe n'umutwaro w'abamutumye*).
Dusenge twishimikije Umuhimbazwa Sandra Sabattini kandi tuninahaze Umukama twisunze ubweranda bwiwe.

- ***Ijambo ry'Imana*** **:** Bene - Levi 11,44

***"Ko ari jewe Imana yanyu, muzotagatifuzwa rero kugira mube beranda, kuko naje ndi mweranda."***

- **Ijambo rya Sandra** :

**"** *Imana ntishaka ko hari n'umwe yotaha iwayo, atabanje kurangura ico yamutumye. Emwe turahirwe! Akanya kose turonse ntitugapfishe ubusa. Naho nihaba hageze ko witaba Imana, birabereye ko witanga wese gushika utange n'ubuzima bwawe. Simpengeshanya na rimwe kubitangarira."*

**Dawe wa twese, Mwaramutse Mariya, Haninahazwe**

- **Kwigira inama n'ingingo :**

Twebwe nyene twitorere akajambo mu Nkuru nziza kodufasha kuyaga n'Umukama.

- **Igisabisho co gusozera :**

Mukama Mana yacu, umuco wawe n'udushware wese, twame dutegera ko utigera utuvirira. Bogora imitima yacu, twame dutambukira mu bweranda buciriye hagufi nkuko Umuhimbazwa Sandra Sabattini yabiduhayeko akarorero, dukomereze inama n'ingingo twigiriye kugira ngo Ubwami bwawe bukwire hose. Tubigusabishije Yezu Kristu Umukama wacu.

- **Igisabisho co kwambaza Umuhimbazwa Sandra Sabattini**

**Ewe Mana, Data Mwana na Mutima mweranda, waragabiye Ekleziya yawe nyeranda incoreke yawe Sandra Sabattini, turagukuriye ubwatsi.**

**Sandra yarahimbawe bimwe bitavugwa aho wamwimenyesha, Bikira Mariya nawe akamwitwararika nk'umuvyeyi; yariboneye vy'ukuri ko wibera mu barushwa no mu bantu bato bato; yaritanze atiziganya mu gusangira n'uwo wese yaje amugana, abigirana umutima**





**wifata ruto kandi ataco yisigarije; ijoro n'umutaga yamye arondera kunywana nawe mu gisabisho no mu kuguteramira, kandi yaroroheye Mutima mweranda ngo amuyobora muri vyose, yamye ahimbagwa n'ukubakira ubuzima ku mubano mwiza be n'urukundo.**

**None Dawe, kubw'igisabisho ciwe, nkuko wewe nyene ubishaka, n'uturonse iyi ngabirano tugusabanye umwizero …. (**_haraba agarerere, umwe wese mu bari ngaho, akayagira Imana ikiri ku mutima_).

**Muri Ekleziya yawe no mu rusangi rw'aberanda bawe bose, ese Sandra yotubera na ntaryo akarorero k'ubweranda kugira ngo urukundo rwawe ruranguke hose. Amen!**

**Sandra Sabattini , Dusabire!**

[traduzione in Kirundi di don Pascal]